**CONFERENCE DES EVEQUES CATHOLIQUES DU BURUNDI**

**Secrétariat Général**

# IJAMBO RY'UGUKENGURUKIRA INTUMWA Z'ISHIRAHAMWE RY'INAMA Z'ABEPISKOPI B'AMAEKLEZIYA YO MURI AFRIKA NA MADAGASKARI

Benicubahiro Bepiskopi basaseredoti n'abalayike mwaduteye iteka mukatugendera,

1. Nkundire nifatanye n'aba Banyenicubahiro Bepiskopi bagenzanje dusangiye Inama y'Abepiskopi gatorika b'i Burundi, kugira ngo imbere ya vyose nkengurukire Imana. Muri iyi myaka yose twari mu magume, yaratweretse ko itadukuyeko amaboko, mu kuguma iza iraturungikira abasuku bayo ngo baturemeshe ntitwihebure. Twese turacibuka ingene Nyenubweranda Papa Fransisko, aho ari hariya i Roma yabaye acumva ko hari ikigira gisubire kuryanisha Abarundi, aca aduhanura ko twokwihutira kwicara hamwe, kugira ngo dukemure ibibazo mu biganiro tutarinze kubicisha mu ngimba. N'ejo bundi igihe yaza mu Buganda yarasubiriye kuduha iyo mpanuro, yongera aranatumirira abakristu bose kubandanya basabira Uburundi bwacu, ngo bwoye gusubira kugwa mw'isanganya. Imana rero nishimirwe kuri iyo Ntumwa yayo yagumye itwereka umutima w'umuvyeyi.

2. Turashimira Imana kandi ku baserukira Amashirahamwe y'amashengero, bagize imisi bagendera igihugu cacu, bipfuza kugira ico baterera ngo turonke amahoro, baba abo twebwe nyene twashoboye kwakira canke abakiriwe na bene-Data bo mu yandi mashengero dusangiye kwemera Imana. Burya ngo "umugenzi mwiza, umubonera mu magorwa". Twarabonye rero ko Imana yagumye itwereka ubugenzi bwayo, mu kuguma iza iraturungikira Intumwa zayo ngo ziturемeshe. Niyongere ishimirwe.

3. Uyu munsi naho, nkuko mubibona, ni Ekleziya nzima iri muri Afrika yashimye kwishikira ngaha, kuko, nkuko mwavyumvise, aba bepiskopi, abasaseredoti n'umulayike, baje baserukira Ishirahamwe ry'inama z'abepiskopi Gatorika bo muri Afrika na Madagaskari bita SCEAM. Ni Ishirahamwe rikomeye cane kuko rihuza ama-Ekleziya yose yo muri Afrika iyo iva ikagera, na Ekleziya y'i Burundi irimwo. Baje rero nk'abazimyamuriro kuko bose ari abanyafrika, baje na cane cane ari abavukanyi bacu kuko dusangiye ukwemera kumwe muri Yezu Kristu. Turabashimiye cane kuri uyo mutima w'ubuvukanyi batweretse.

4. Bakristu dusangiye ukwemera, nagira ndababwire ko, mu kurungika izi Ntumwa mubona ngaha, Imana ibwirizwa kuba hari ico yagomvye kutubwira kandi coduha umwizero. I ruhande yuko bose ari abagenzi n'ababanyi bacu, hajemwo Abepiskopi batatu, bose bakomoka muri Afrika y'epfo, ca gihugu giturukamwo wa mushingantahe atazigera yibagirwa n'abarundi Nelson Mandela, umwe yadufasha kugira Amasezerano y'amahoro y'i Arusha, yatumye Uburundi bwogorora, kandi yari yatumye Abarundi babana mu bumwe no mu mahoro imyaka cumi yose. None ubwo Imana ntiyoba igomba kutubwira ko akarangamutima k'ayo Masezerano twokagumako ? Hajemwo kandi Umwepiskopi w'Icegera c'Umukuru w'Inama y'Abepiskopi b'i Buganda, ca gihugu kirimwo wa Muhuza Prezida Yoweri Museveni, yagenwa n'ibihugu vy'akarere k'ubuseruko bw'Afrika, ngo yongere guhuza Abarundi, babandanye bubakira k'umushinge w'ayo Masezerano y'Amahoro ya Arusha. None ubwo Imana ntiyoba igomba kutubwira ko ata yindi nzira nziza dufise y'ugusubira gukutsa ikivi c'amahoro n'iterambere tudakangarijeko, atari iy'uko abatase basubira kwicara hamwe ngo basabane imbabazi aho ibere ryayaze ?

Bd de l'Uprona 5 — B.P. 1390 Bujumbura - Burundi — Téléphone (+257) 22 22 32 63 — Fax (+257) 22 22 32 70
e-mail: cecabs@yahoo.fr

5. Bakristu dusangiye ukwemera n'umwizero, mwari guhava mutubaza muti none abo bashitsi bari bazanywe n'iki ? Ariko mwebwe nyene mwavyiyumviye bavyivugira. Bari baje nk'ababanyi n'abavukanyi bacu kutugarukirako n'ukuturemesha. Twarayaze nk'abavukanyi nyene. Kandi barashoboye kuyaga n'impande zinyuranye, mugabo kandi n'ivyo babona baravyiboneye, ubona ko ngo "umushitsi umubikira icumu mugabo utamubikira amaso" ! Nk'akarorero, baratubajije bati: "mbega ko mu modokari zimwe zaje kutwakira ku kibuga c'indege twabonye harimwo abapolisi, ni abari baje kudusanganira canke ni abasigaye babagendanira ?" Burya ngo akariho karagoye guhisha.

6. Bamaze kwumviriza aba na bariya bakibonera n'ibitari bike, bakuye ngaho badukeza, bati twarumvise kandi twiboneye ko mwateye intambwe nziza mu kurengana indyane z'amoko, zahora zikunda kubavugwako uko igihugu kigiye mu rwimo. Bati ko ivyo vyose mubikesha ahakuru ya Masezerano y'Amahoro y'i Arusha, muritwararike kuyagarukako, muyarimbure neza, kumbure muyunganire, kugira ngo abafashe gutera iyindi ntambwe nziza. Iryo jambo twarikengurutse rwose, kandi bemeye ko mu vyo bashobora bazofasha ngo riranguke. Kwari ukubacira ku mayange gusa bimwe mu vyo twavuganye, kuko mu kuza kuturamutsa ni mwebwe baje batumbereye, ni co gituma twashimye kubapfundururira ako gakemanyi, ngo mugashime hamwe na twe.

7. Namwe rero bavukanyi mwaje muri Intumwa z'Ekleziya yacu, twebwe Abepiskopi b'Ekleziya gatorika turakengurutse, kandi n'abakristu Imana yaduteye iteka ry'ukurongora barakengurutse no ku mwonga no ku mugezi. Handi haza nimwasiga inzira amavuta, muze kwisoza amahoro, Imana ibaje imbere yongere ibaherekeze, ntimutsitare, kandi Imana ibandanye ifasha ngo ubutumwa bwari bwabazanye buze bwame ivyamwa vyiza.

Imana nihezagirwe, yongere ibaduhezagirire.

Bigiriwe i Bujumbura, ku wa 12 Ruheshi 2016

+ Gervais Banshimiyubusa
Umwepiskopi wa Diyoseze ya Ngozi
Akaba n'Umukuru w'Inama y'Abepiskopi gatorika b'i Burundi.